**SONS OF ISRAEL DISCOURAGED ON THE WAY, SIN AGAIN AGAINST GOD**

**Lesson 129**

**NUMBERS 21:1-9**

Memory verse : " ***Look at Me, and be saved all you ends of the earth! For I am God, and there is no other.***" Isaiah 45:22.

**ABANTU BIHEBUJWE N'URUGENDO, BONGEYE GUCUMURA KU MANA.**

**Icirwa c'i 129**

Guharura **21:1-9**

Ijambo ngenderwako : "***Ni muntumbere mukizwe, mwa mpera zose z'isi ; kuko ari jewe Mana ata yindi***" **Yesaya 45 :22**

## I. Intangamarara

Urugendo rw'Abisirayeli rubandaniriza mu bihugu biri ku nkengera y'i Kanani. Vyarabasaba ko baca mu bihugu bimwe bimwe kugira bashikire neza Kanani. Abene ivyo bihugu nk 'Abanyedomu, ab'i Negebu barabankira kurengana bakabategesha abasirikare, bamwe muri bo bagapfa abandi bagafatwa mpiri nkuko urugamba rwama rugenda.

Izi ngorane ziyongera k'uburuhe bwo kutagira uburagamo bwabo bwite mu kiringo kitegerezwa kungana n'imyaka mirongo ine, bituma bihebura cane baca batangura gutonganya Imana na Mose bakoresheje amajambo nk'aya mbere. Ivyo bituma Imana ibateza ikiza c'inzoka z'ubumara, abenshi barapfa. Mu kubatabara, Imana isaba Mose gucura inzoka isa n'izo ziriko zirabakomora, arayimanika, abemeye kuyiraba, bagakira, abanse kuyiraba, barapfa.

## II. Icaha cakozwe.

Uru rugendo rwo rubajana mu gihugu c'isezerano rwari ruruhije koko, ariko ntibategerezwa kwihebura ngo bongereko gutonganya Imana na Mose. Nta rugendo rutarusha. Naho wogenda n'indege uraruha. Ukwihebura m'urugendo ni ikirwanisho Satani ariko arakoresha kugira afate benshi, kuko ukwihebura gukurikirwa no kuvuga nabi, ugakora ivyo utokoze.

Aba bari muri uru rugendo rw'i Negebu, abenshi bari urwaruka rwavukiye mu bugararwa, kandi Uhoraho yagumye abitaho (Kubaha Manu, kubazigamira

impuzu n'ibirato, inkingi y'igicu ibayobora, ikabarinda, akabaha amazi,… ) vyose baravyirengagiza bavuga bati : « *Mwadukuriye iki mu gihugu ca Egiputa, mutuzana aha hantu hatagira ivyokurya, nta mazi ahari kandi tubihiwe n'ibi vyokurya bitagira ikimaz*» **Umur. wa 5.** Iyi myifato n'iyi mvugo yababaje Imana cane. Ngo zitagira ikimazi.

## III. Igihano ku caha cakozwe.

Ni wiyumvire igihe woba wakijije amagorwa asa n'ayo muri Egiputa, ukamugaburiye, ukamwambika ibihe vy'imyaka, ukaba umutegurira kumushikana ku vyiza vyinshi ; nyuma akakwishura amajambo asa nayo. Imana nayo yumva iyo myidogo yaba bantu irababara. **Soma Kuvayo 3 :7-8.** Aya majambo yerekana igikorwa gikomeye Uhoraho yabakoreye, ariko ntibagiha agaciro. Kubwivyo, igihano gikwiranye n'icaha kiba gishizwe mu ngiro. Inzoka z'ubumara buturira zirabakomora, abenshi barapfa.

Uhorano ni Imana y'ikigongwe cinshi, ariko itibagira guhana icaha kitababaje nyene co ngo aheze akihane. Ubu nibwo butungane bwayo..

**Soma umur wa 7**. Aha harerekana ko abantu babonye icaha bakoze, baricuza, kandi basaba imbabazi. Vyonashoboka ko bicujije kuko umwe wese yabona ko urupfu rushobora kumushikako akanya n'akandi. Uku si ukwihana ni ukwemera icaha. Abasekuru bama bavuga bene aya majambo yumvikana nko kwihana, ariko mu gihe gito bagasubira gukora cacaha nyene. Ukwihana bisigura ko ari ukuvavanura burundu n'ingeso za kera, ukabaho mu buzima bushasha.

Bamaze gusaba Mose ko abasengera, yarabikoze. Uku niko na Yesu Kristo ahora agusengera abiwe kugira bame bitwa abera imbere y'Imana. Uhoraho kuko ari umunyakigorwe, amwereka umuti wo kugira bakire ico cago kandi izo nzoka zibavamwo. Gucura inzoka isa n'izo, akayimanika. Umunyavyaha ico yasabwa, kwari ukwemera akayirangamiza gusa, aho yaba aronse gukira ivyaha n'ivyago vy'urupfu. Iki nico umwe wese akwiye guhora akora. **Yesaya 1:18** « *Ehe ni muze, twitature, niko Uhoraho avuze ; naho ivyaha vyanyu vyotukura tukutuku, bizokwera derere nka sheregi… »* Ikibabaje ni hari abanse kuyiraba, bemera gupfa.

**Inzoka yamanitswe, ikigereranyo ca Yesu yabambwe**

**Soma Yohana 3 : 14-15.** Muri iki kiyago ca Yesu na Nikodemu ; Yesu yariko asigura ico Mose yakoze.

Uko Abisirayeli bakoze ivyaha, niko n'isi yose yaguye mu caha co kutumvira Imana. Inzoka ya mbere niyo Satani, yarakomoye umunyavyaha, imusigamwo ubumara bw'urupfu. Uwutarihana wese aba ari mu gucikana gusa. Hari abigisha basigaye bigisha ivyo kunezereza abantu nko kwironkera ubutunzi n'ibindi gusa, barababahisha ko umunyavyaha aba arimwo ubumara bw'urupfu bwa ya nzoka. Imutima w'umunyavyaha uri muka. Hamwe nivyo, Imana yashizeho inyishu kuwemera.

Yesu yamanitswe k'umusaraba, yari yiremetse ivyaha vyose vyakozwe n'umuntu abitewe na ya nzoka. Ico gihe yaboneka yuzuye ivyaha, asa nuwukwiye igihano, ariko we nta caha yari yarakoze, yabonetsweko n'ivyaha vy'abantu.

Ico Imana isaba uwo wese ni ukwemera ugashira icubahira cawe hasi, ukegera ra umusaraba. Yehova avuga ngo : ***Ni muntumbere mukizwe, mwa mpera zose z'isi ; kuko ari jewe Mana ata yindi.*** Naho ubona urugendo rukunanije, ntiwihebure, izigire Yesu yakubambiwe. Niyo wamara gushika mu gihugu c'isezerano, azoguhoza amarira yhose warize. Wohaguruka ugasenga.

## THE CUP OF INIQUITY FILLED ; PUNISHMENT

**Lesson 130**

**NUMBERS 21:10-35, GENESIS 15:13-16**

Memory verse : "***My spirit shall not strive with man forever, for he is indeed flesh..*** " Genesis 6:3

## IGIKOMBE C'IVYAHA KIRUZUYE ; HAKURIKIYE IGIHANO.

**Icirwa c'i 130**

**Guharura 21 :21-26, Itanguriro 15 :13-16.**

**Ijambo ngenderwako :** "*Mpwemu wanje ntazokwama aranyinyurana n'umuntu ibhe vyose, kuko ar'uw'inyama gusa*" **Itanguriro 6 :3**

## I. Intangamarara

Abana ba Isirayeli babandanije urugendo batumbereye kwinjira mu gihugu c'isezerano Kanani. Aha bari bavuye ahitwa Oboti baragenda bacumbika ahitwa Iye Abarimu mu gihugu c'Abamori kirabana n'ic'i Mowabu. Mose atuma kuri Sihoni umwami waho ngo abareka birenganire, aranka, aca abategesha abasirikare bo kubarwanya. Imana ibwira Mose ko batobatinya ko ibagabuye mu maboka yabo.

## II. Amasezerano y'Imana ku b'Isirayeli.

Amajambo yo mw'itanguriro 15 :13-16, ni Uhoraho yariko ayabwira Aburahamu mu gihe yariko aratanga ikimazi. Ku kirengazuba yasinziriye, aca abwirwa ko abamukomokako bazomara imyaka amajana ane ari inyagano mu kindi gihugu, bakazogaruka bakegukira aka karere, aho Mose ageze. Igihe co gusinzira cabaye kuri Aburahamu, cerekana igihe c'umwijima Abisirayeli bamaze bari mu mibabaro. Ni igihe umuntu amaramwo akiri mu vyaha.

Icaha gikurikirwa n'igihano, nk'uko Imana yabivuze, Egiputa yaraciriweko iteka imbere y'isi yose. Iratsindwa n'abagurano bayo, ababoneka batagira ububasha na buto, nta birwanisho, nta mashuri  bize, nta butunzi,.. Ariko batsinda igihugu c'igihangange muri ico gihe. Igihe cose Imana isezeranye, naho wobona ko vyatevye, irabishitsa. Kandi iyo igomba gutabara abayo, ntisaba imfashanyo. Irikwije mu nkomezi.

## III. Icaha vy'Abamori.

Abamori cari Igihugu c'inkomezi kimwe mu bihugu bigize umuryango w'Abakanani. Bari abanyavyaha bagasenga ibigirwamana. Mu gihe ca Aburahamu, Uhoraho yabona ko hataragera ko bahanwa kuko ibigabitanyo vyabo bitari bwuzure.

Uhoraho kuko ari umunyakuri, ntiyihutira guhana igihugu canke umuntu acumuye, amurindiriza kwihana. Atihanye, hariho umurongo w'amabi, mugihe uwurengejeko, igihano kiba gishizwe mu ngiro. Urashobora gukora icaha rimwe, kabiri, canke akarenga, ukabona Imana ntinavyitayeho, ariko rindira gato, uzokora kimwe ube ushikiye umurongo utukura, aho niho uzoca ubona ko Imana atari idakinishwa.  **Imigani 29:1** « *Uwuhanurwa kenshi akagamika izosi, azovunagurwa giturumbuka atagira gitabara*. » ishobora kuguhana mu kukumaramaza imbere y'abantu bose. No mu gihe co guhana kw'Imana, ntawuyitangira.

Kuri aba ba Mori, haheze imyaka amajana ane, igikombe c'ivyaha vyabo kiba kiruzuye, bagira bibonere ingene Imana ihana abanyavyaha. **Umusig. 8:11**

*« Urubanza rw'igikorwa kibi, naho ruciwe, ntirushirwa mu ngiro vuba nico gituma imitima y'abana b'abantu ihangara gukora ikibi.* » urubanza rwabo rwari rwaraciwe, hasigaye gushirwa mu ngiro. Nico kimwe n'abakora ivyaha, kuwanse kwihana, igihano ni urupfu.

## IV. Icaha ca nyuma gikurikiwe n'igihano.

Mose yasavye umwami w'abamori kubareka bakirenganira. Amwizeza ko ata kintu ciwe bazonona. Ariko kuko bamaze kuzuza igikombe c'ivyaha, Imana ikaba igomba kubahana no gushitsa isezerano rya Aburahamu, barabura umutima wo kwemera iyo nama. Baca baja kubategera n'ibirwanisho, batonda urugamba.

Imana ibwira Mose kubarwanya no kubarandura. **Umur wa 24** « *Abisirayeli bamutsisha inkota, baca bafata igihugu ciwe…* » Aba Mori baba baribagiranye, ibihugu vyabo vyegukira Abisirayeli.

Ni kenshi Umuwanizi Satani atemerera abantu kurengana ngo bave mw'isi ya kera baje mu gihugu c'isezerano'ariko hamwe no kwizigira Yesu Kristo, abenshi bariko bararengana amahoro.

**V. Gushira mu ngiro.**

Nk'uko ijambo ry'Imana rivuga, ivyabaye ku b'Isirayeli vyatubereye akaroreo. Uhoraho abona vyose kandi hose. Abamori bari baribwiye mu mitima ko naho boshishikara gukora ivyaha, Imana itavyitayeho. Igikombe cuzuye, barahanwa n'ukuboko kw'Imana, bazimangana mw'isi. Abana b'Imana begukira igihugu cabo. Imana ivuga ngo : « *Mpwemu wanje ntazokwama aranyinyurana n'umuntu ibhe vyose, kuko ar'uw'inyama gusa* »

Niba hari icaha wakoze kandi ukibandanya gukora, ni wihane uyu musi bigishoboka, nutabikora, usigaye gukora kimwe ube urenze umurongo. Aho niho uzovunagurwa giturumbuka utagira gitabara. Naho vyoteba, urupfu rwa kabiri ruhora rurariri ye umunyavyaha.